# Amazi yo kwidagadura inyuma y'umwuzure

Mu gihe inzuzi n'ibiyaga bishobora gutera impanuka n'iyanduza mu bihe bisanzwe, ibihuhusi bikomeye n'umwuzure birashobora kwongereza ivyago kubabara, kurwara, canke gutwarwa mu bibanza vy'ayo mazi.

**Guma kure y'aho amazi adengereye nimiburiburi mu kiringo c'amasaha 48 inyuma y'imvura nyinshi, n'ikirenga nimba habaye umwuzure.**

## Imvura ivanze n'igihuhusi n'umwuzure biratera isibe

- Inzuzi zuzuye n'imikuba myinshi birashobora gutera ingorane zikomeye mu binogo vyo kwogamwo no mu nzuzi mu minsi y'inyuma y'ibihe vy'imvura nyinshi.
- Imvura nyinshi irashobora gutera imyanda n'utunyabuzima tutaboneshwa amaso dushobora kugutera indwara mu mazi bivuye ku miringoti y'amazi y'imyanda n'inkukura.
- Ibikoresho bikarishe, nk'ibirahuri canke ibimanyu vy'ivyuma, n'ibitoro vyasesetse canke imiti yo mu mahinguriro navyo birashobora gutwarwa n'imvura ivanze n'ibihuhusi hamwe n'inkukura mu bibanza vy'ubwogero.

## Guma hanze kugira ube impore

- **Guma kure y'inzuzi n'imigezi kugeza amazi atonganutse kandi atekanye** – Kenshi iminsi myinshi inyuma y'igihuhusi. Raba imivo wongere wumvirize umuhindo w'amazi asuma cane mu buryo butamenyerewe. Amazi kama arashobora kugira ibintu vyinyegeje munsi vyotera impanuka, nk'ibirundo bitera ibomborana.
- **Inyuma y'imvura nyinshi,** guma kure y'aho amazi ateze nimiburiburi mu kiringo c'amasaha 48 mu kwirinda ivyago vyo kwandura indwara ziturutse ku mazi yanduye. Mu bibanza vy'ubwogero rusangi, ushobora kwoga mu gihe amazi yamaze gusuzumwa akaba ameze neza.
- **Inyuma y'imyuzure,** birashobora gufata iminsi myinshi imbere y'uko amazi yo kwoga no kwidagadura aba meza.

## Ivyo ukwiriye kuumenya imbere yo kwoga

- Rabira hamwe n'umuyobozi wa parike canke w'igisagara kugirango umenye nimba aho kwogera huguruye kandi nimba barapimye ubwiza bw'amazi.
- Rondera kandi wubahirize ibimenyetso vyose vyamanitswe ku nkombe z'ibiyaga n'amaparike.
- Ntiwigere woga wenyene. Amazi arafise inguvu kuruta uko uvyiyumvira, kandi impanuka zirashobora gushika mu kanya gato.
- Raba cyanobacteria  mu mazi, kubera ko utundi dukoko tuva mu mazi y'umwuzure dushobora gutuma haba ivyunyunyu. Birashobora gutuma amazi asa n'icatsi kibisi, kandi agasa n'isupu y'ubushaza canke irangi ryasesetse.
- Ntumire amazi yo ku nkombe y'ikiyaga canke ngo woge ufise ibikomere bidafutse kuko bishobora kwandura.
- Ni woge uhejeje kwoga mu ruzi, hanyuma ukarabe intoki imbere yo kurya.